1. Reka tubanze dushimire Imana Mushoboravyose yadushikanye kuri uyu musi turamutse duhimbaza umusi mukuru wahariwe umutangakori, turi mu mahoro mu mpande zose z'Igihugu cacu; ikaba yamurikiye umw'umwe wese mu rugendo yagize rwamushikanye muri ino ntara nziza ya Ngozi iramutse yakira ibirori vyo kwigina umusi mukuru w'umutangakori mu Burundi. Imana yacu nihabwe icubahiro kirengeye vyose.

2. Uyu mwaka ubaye uwa gatanu, ikigo OBR gitunganya umusi mukuru wahariwe umutangakori.

Ni umugenzo mwiza cane wo kwibutsa uruhara rw'umwenegihugu wese cane cane umutangakori mw'iterambere. Ni kandi umwanya ukwiye wo gutera intege abatangakori iyo bava bakagera no kwibutsa abarundi ko kubaho udatanga ikori uba ataco umariye igihugu, n'ivyo urya mbere aba ari ivya mahumbo.

3. Nkaba mbere mbanje gukeza ikigo OBR, n'ubushikiranganji bw'ikigega c'Igihugu ico kigo gisanzwe gikukira, ku ciyumviro ciza co gutunganya umusi nk'uyu udasanzwe mu buzima bw'Igihugu cacu.

Erega igihe nk'iki, ni ho twigira akamaro k'amakori n'amatagisi kuko hariho n'ubu abataravyumva, bazi ko gutanga ikori no kubugura ari umutwaro Reta izigira ku benegihugu.

*Ba nyakwubahwa mwese mwitavye uru rubanza,*

*Batumire bahire,*

4. Ibikorwa mu gihugu ni vyo bizana iterambere kuko ntahandi iryo terambere riva atari mu mwimbu ushoka kw'isoko hanyuma, uretse ko uwimbuye nawe aronka amahera yo kwikenura mu vyo atiyimburira, arabugura ndetse agatanga ikori risahiriza mu bikorwa vy'iterambere rusangi.

Reta na yo ico ibereyeho ni ugutunganya neza ikoreshwa ry'amafaranga yinjira mu kigega c'igihugu ku neza ya bose.

Uno musi ni n'akaryo ko kubabwira ingorane zituma ikigega ca Reta kitabomboka nkuko tuvyipfuza kugira turangure imigambi abenegihugu batumye Reta kubakorera.

5. Umusi wahariwe umutangakori uduha akaryo ko kwibukanya no kuzirikana akamaro ko gutanga ikori no kubugura ku gihugu no kuri bene kubugura.

Ico twobanza tukazirikana ni uko Umutangakori ari umwenegihugu wese aba mu Burundi. Nimwaba mubona mudatanga ikori si ubugabo ahubwo Reta yabonye atako mwifashe ica irabihorera.

Uno musi tubona ko umutangakori ari we munyabikorwa kuko ikori n'amatagisi atanga biva mu vyo akora mw'iterambere ryiwe n'iry'igihugu.

Ni uwudahara mw'iterambere ry'igihugu kuko hambavu yo gutanga ikori, aratanga n'akazi ku benegihugu na bo bakabona kwikenura n'imiryango yabo.

6. Turakeje rero abatangakori bose iyo bava bakagera, bakora uko bashoboye kugira umwimbu wabo wongerekane; maze ikigega c'igihugu na co kikahabombokera.

   Erega abo batangakori ni bo batuma amabarabara tugenderamwo yubakwa, amashure n'ibitaro vyubakwa ndetse n'abakozi b'igihugu bahembwa.

   Turakeje cane cane abatangakori bahejeje kuronswa ubushimwe butandukanye kuko batanze amakori neza kurusha abandi ku gihe kandi batabeshe. Turakeje n'abagwanije urudandazwa rwo mu kinywabi, ndabasabe bose tubakomere amashi.

7. Ariko rero, nkuko nabivuze, tuyabakomere twinegura kuko baturushije kuko ku bwa ngingo, nta mwenegihugu n'umwe akomeye atotegerejwe gutanga amakori mu gihugu. Kuko nta numwe yari akwiye kuba ntaho nikora ku buryo aja ku ruhande hageze gutanga ikori rituma igihugu gitera imbere.

8. Turakeje kandi ikigo OBR cita ku rutare uko bukeye, uko bwije kugira ngo gikurikirane abagwizatunga, kibereka inzira irashe y'ingene bokora neza kugira umwimbu wiyongere kandi n'amakori ateza imbere igihugu na yo yiyongere.

Ivyo bikaba biva ku bwira n’ubukerebutsi bw’indongozi n’abakozi b’ikigo OBR bavyifashemwo neza.

*Banyakwubahwa mukoraniye ngaha,*

*Umwe wese mu cubahiro Imana yamuhaye,*

9. Nta gihugu na kimwe kw’isi cigeze gitera imbere beneco batabugura canke ngo batange amakori.

Si ivyimbeshere, burya, ubwigenge bw'igihugu buhagaze ku butunzi bwaco. Ukwishima kw'umwenegihugu na kwo guhagaze ku ntererano yiwe muguha Reta ubushobozi bwo kumukorera.

Umugabo gito niwe ashaka ko umugore amufungurira neza ariko atatanze ayo gusuma. No mu Burundi hariho abashaka ko Reta ibakorera ivyiza ataco bashize mu kigega, mbere bagakingira ikibaba abacisha ibidandazwa mu binywabi bahunga amakori bwaca bagasaba kwongerwa imishahara.

Ubu ni umwanya wo kumenya uruhara rw'umw'umwe mu gusahiriza ikigega c'Igihugu kugira Reta na yo ishobore kudukorera ivyo dushaka.

10. Nagira ndabamenyeshe ko itunga ry'igihugu ari ubwambere abantu bakunda ibikorwa, bafise ubwenge n'ubwira kandi bakunda igihugu. Ubwakabiri ni itunga kama Imana yaturemeye, iryo naryo rikaba rigizwe n'isi imera kandi ifise ubutare n'agataka vy'agaciro, ikirere ciza kirwamwo imvura kikakamwo n'akazuba bikwiye, ibiyaga n'ubundi butunzi kama butandukanye.

11. Kugira ubwo butunzi buramire abenegihugu, butegerezwa guhingurwa ngo buronke agaciro.

Ni muri iyo ntumbero Reta itegerezwa kugira umutahe ukwiye kugirango yorohereze abenegihugu n'abandi bagwizatunga mu bikorwa vyabo vyo guhingura iryo tunga no gukora ivyo abantu bose bakenera; ivyo vyose bikaba ari vyo biteza imbere igihugu.

Amakori n'amatagisi rero bitangwa mu ntumbero yo kugira ikigega kugira ibikorwa vya Reta bijanye n'iterambere rusangi bikorwe.

12. *Ikori ni amafaranga Umurundi wese ategerezwa gutanga, hakurikijwe amikoro yiwe, kugirango asahirize iterambere rusangi.*

Amafaranga yose atangwa mu makori ajejwe gusahiriza ikigega ca Reta kugirango Reta nayo igire ubushobozi bukwiye bwo kworohereza abenegihigu mu bikorwa no mu buzima bwabo.

Igihugu kirakeneye abitanga bagakorera abandi kandi abo na bo kugira bakore umutima uri mu nda bategerezwa guhembwa. Ata makori atanzwe ntibokora kandi igihugu coca gihagarara.

13. Nkuko musanzwe mubizi, ubu turi mu rugamba rwo kugwanya ubukene; kandi mukaba muzi ko amafaranga ari wo mutsi w'urugamba. Ariko rero nagomba kandi kubamenyesha ko ata mahera ashobora kuboneka mu gihugu hadatanguye ibikorwa vyo guhingura no guha agaciro itunga kama Imana yaturemeye.

Ni co gituma uyu musi wahariwe abanyabikorwa kuko ni bo baronka amafaranga y'ikori batanga. Uwudakora yoba umutangakori gute? Yoteza imbere igihugu gute? Erega n'isase riva ku cuma.

Reka rero mwebwe abagwizatunga, twibutsanye ico dutegerezwa gukora ndetse dukebure n'abandi barundi bumve uruhara rwabo mw'iterambere.

*Banyakwubahwa mwese,*

*Batumire bahire,*

14. Nk'uko mwavyumvise, uyu musi tuwiginye mu kuzirikana amabi aterwa n'urudandazwa rwo mu kinywabi, kuko ruza rusubiza inyuma imigambi nka yose ya Reta mvyeyi, Reta nkozi.

Icivugo c'uwu mwaka, ni:

"DUSHIGIKIRE RETA MVYEYI RETA NKOZI MU GUTANGA NEZA AMAKORI".

15. Dukurikije iki civugo, kubera iki twiyemeza gushigikira Reta nkozi, Reta mvyeyi mu gutanga amakori?

Mu gihugu ico arico cose, Reta iriho kugirango itunganye intwaro yongere ikore imigambi y'iterambere rusangi.

Reta ni urwego rusuku, rugizwe n'abenegihugu bashizwe imbere kugira ngo barangure imigambi abenegihugu bose bashize imbere

uko umwaka utashe. Ni co gituma umwenegihugu wese ahamagariwe guha amikoro iyo Reta kugira ibatunganirize iyo migambi.

16. Uko umwaka utashe, Reta iragira integuro y'ibizorangurwa, amahera izokoresha iyo migambi ndetse ikerekana aho ayo mahera azova.

Muri iyo nteguro, isoko nyamukuru y'aho amahera ikoresha ava ni amakori n'amatagisi.

Amakori ni yo rero asahiriza ikigega ca Reta kugirango ishobore gukora. Kudatanga amakori, ntaho bitaniye no guhagarika ibikorwa

kuko ntiwobwira umusuku wawe ngo agukorere utamuhaye ico akoresha.

Ubu rero ngira ndababaze ikibazo: Ko munegura abasesagura itunga ry'igihugu, abanyonora, mwebwe mwashizemwo angahe? Umuntu azi ko adatanga amakori, ntafise uburenganzira bwo kubaza ingene amahera ari mu kigega akoreshwa. Aha umwe wese rero niyisuzume.

Twovuga mbere ko kudatanga amakori uri mu gihugu ari ugutoba igihugu ari na co gituma kugira urudandazwa rwo mu kinywabi canke kugira urwenge rutuma uhunga amakori bihanwa n'amategeko.

17. Mu bisanzwe, nta murundi n'umwe yobaho mu gihugu adatanga amakori kuko uretse ko ubuzima bwiwe bukeneye ibiva mu maboko y'abandi kandi akaba atorinda kuja kubibagurira, na we nyene avungura vyishi bisaba gusanurwa batarinze kumurihisha ku musi ku musi.

None Reta tuyisaba idukorere iki, twayihaye iki?

18. Ivyo dutegerezwa kumenya ni uko duca mu mabarabara kandi uko tuyacamwo niko asaza agakenerwa gusanurwa; ndetse tugakenera no kuyubaka aho atari.

Dukenera ibitaro kandi ntitwovyubaka ngo ni uko tugwaye canke ngo tureke kubisanura bishaje.

Dukeneye amashure kugira abana bacu bace ubwenge bubashoboza guhingura rya tunga kama, kutuvura canke kwigisha urundi runganwe ruri inyuma.

Dukeneye amazi arongoroye hagufi yacu, dukeneye amatara ngo duhingure.

Eka mbere turakeneye abahinga bihebera gutunganya itunga ry'igihugu abo na bo bakenera guhembwa kuko bihebeye ubuzima bw'abenegihugu aho gutunganya ivyabo.

Reta rero itegerezwa gushigikirwa n'abenegihugu kugira ibakorere ivyo bayitumye.

Ariko ivyo vyose bikorwa mu rutonde ku buryo umwe wese azana ico afise mu butungane no mu mategeko.

19. Mu bisanzwe, igihugu cose kirafise ingene gitunganya itangwa ry'amakori, ni co gituma nko ngaha iwacu abantu benshi batezuririrwa mu bijanye no kuriha amakori naho batacirirwa akarimbi hageze gukoresha no kuramirwa n'itunga rusangi.

Abatezuririrwa mu vy'amakori bomenya ariko ko atari ukubahebera ahubwo ari ukugirango bafashwe mu gutera intambwe izotuma ejo batanga menshi.

Benegihugu rero! Mwumve ko ako kamo kabaraba. Nihaba uno musi mudatanga ikori ni ukugira mukore, mwunguke ejo namwe mutange.

Mwa badandaza mwatezuriwe, mumenye ko ari ukugira Reta ibatere intege, mwunguke ejo muzotange ayasumbirije ayo mwari gutanga uno musi. Exoneration si ingabire, Reta iba iteganirije kazoza.

20. Ni co gituma aha twashaka gusaba abarundi bose ko bovavanura n'agatima ko guca ku ruhande ngo binyegeze ntibatange amakori mu gukora urudandazwa rwa magendo canke mu gucisha ibidandazwa mu binywabi.

    None umwe wese niyikubite agashi arabe ico yokora kizana amatagisi n'amakori kugira umwe wese, hakurikijwe amikoro yiwe, aterere amahera yinjira mu kigega ca Reta.

*Ba nyakwubahwa mwese;*

*Batumire bahire,*

21. Hariho abaharura amakori nk'uruhombo abandi na bo bakayaharura nk'umutwaro ubaremereye.

Nagira ndabamenyeshe ko mw'itunganya ry'amakori ata karenganyo karimwo ahubwo bitunganywa kugira bitere intege abagwizatunga bumve ko ari igikorwa bategerezwa.

Mu kubatera intege ni ukwerekana neza ko amahera binjiza mu kigega c'igihugu akora ico yagenewe kandi ko uwukoresha cane itunga

rusangi ari we aterera menshi mu kigega c'igihugu abicishije mu makori.

Ni co kimwe, uwukora ibifitiye akamaro benshi asabwa bike kurusha uwukora ibifitiye akamaro bake.

Ivyo ni tubitegere, kugira dutange amakori ata kangonongono.

22. Ni muri iyo ntumbero, mu gutera intege abatangakori, Reta mvyeyi yatsimbatariye mu kugwanya inyuruzwa n'isesagurwa ry'ubutunzi bw'igihugu.

Turazi ko igihe cose abenegihugu bazobona ko ayinjiye yose yakoze ivyo bipfuza, n’abatanga make bazogira ingoga zo gutanga menshi kandi bayatangane umutima ushima.

Muri iyo ntumbero, Reta iriko iratunganya inzira zose zituma amatagisi n’amakori yinjira mu kigega c’igihugu kuva kw’ikomine gushika ku rwego rw’igihugu.

Tugiye gukomeza ubuhinga bwa none bwo gukurikirana itangwa ry’amakori kugira yinjire yose kandi ducungere ntihagire ayasesekera ubusa.

23. Aha rero umuntu yokwibaza ati: "Mbega none umwe wese ngaha, ariko akora iki mu gushigikira iyo Reta kugira ngo amahera ategekanijwe yinjire yose?

Kugira yinjire yose, icoja imbere kuruta vyose ni ukugwanya igiturire mu gisata c'amakori no kugwanya urudandazwa rwo mu kinywabi.

Ubwambere: Kugwanya gucisha ku ruhande amahera yotanzweko amakori.

Ico caha gikorwa kenshi mu mwumvikano hagati y'umudandaza n'umutozakori. Nico gituma tutaronka uwurega uwundi. Nagomba ndabamenyeshe ko ico caha gikomeye cane kuko gihungabanya ubutunzi bw'igihugu mu gihe Reta iba yaramaze guharura ayazokwinjira no gutunganya imigambi azokora.

Ubwakabiri: Urudandaza rwa magendo no gucisha ibidandazwa mu binywabi.

Ico caha kirahambaye kuko naco gitoba ubutunzi bw'igihugu. Uretse ko urwo rudandazwa rutuma ruburagiza abadandaza baciye mu nzira z'ukuri, rukabahomvya kuko ibiciro bica bigabanuka kuko batatanze amakori, iyo hanyegejwe ibishoka hanze bituma ifaranga ry'Uburundi rita agaciro kuko umwimbu wacu washotse hanze ariko ntihinjire amahera y'agaciro atuma natwe tugura hanze ivyo tutihingurira.

24. Umugambi wo kurwanya ibiturire mu rudandazwa no kugwanya urudandazwa rwo mu kinywabi rero, ni imwe mu nzira zihambaye

ibisata vya Reta n'abantu bose, mu nzego zose, dutegerezwa kwitwararika kugira tuzibire iminyuro yose yotuma Reta itakaza amafaranga yokwinjiye mu kigega.

Ivyo tubikeneye cane cane iki gihe dukeneye inguvu zidasanzwe kugira ngo tuzamure ubutunzi bw'igihugu cacu mu kurwanya ubukene, bwo mwansi rutura aduhanze twese.

25. Nkako, biramaze kugaragara mu ntara zimwe zimwe z'igihugu, ko haciboneza urudandazwa rwo mu kinywabi. Ikibabaje gusumba, ni

uko hari aho usanga rimwe na rimwe ruriko rukorwa n'abategerezwa kurutuza; aho ni mu gihe batabereye inderetsi abadandaza bataye umurongo.

26. Turazi ko ikigo OBR n'izindi nzego bikorana baviriye hasi ukurwanya gucisha ku ruhande ibidandazwa vyinjira biciye ku mbibe z'igihugu. Ndetse na Reta ikaba yarashizemwo uburyo butari buke kugira urwo rudandazwa rutuzwe; mbere mwarumvise ko igihugu kimaze kugaruza amahera atari make.

27. Naho intambwe tugezeko ishimishije, impinga iracari ndende kuko ntiturashika ku rugero twipfuza mu gutuza ako kabi.

Turavye ingene igihugu c'Uburundi kingana, OBR yonyene ntiyovyishoboza.

Akaba ari na co gituma mbere twakoraniye ngaha turi inzego zitandukanye, tuvuye mu ntara zose z'igihugu ngo duhimbaze uyu musi wahariwe Umutangakori, twongere twirimbure, twivure aho

tugwaye ahandi hoho hahomba igihugu cose kuko barayamaze ngo: “Ibisangiye imizi, bisangira n’ukwuma”.

Banyakwubahwa mwese,

Batumire bahire,

28. Izo nkurikizi duhejeje kudondagura ziraturaba twese kandi ziraturaje ishinga.

Nk'uko rero Reta igerageza gukora ico cose cofasha abenegihugu, ni ko kandi itazokwihanganira ababirenzako uruho rw'amazi mu kurondera kwiba biciye muri urwo rudandazwa rwo mu kinywabi n'igiturire.

29. Turabateye akamo rero mwebwe ndongozi ngo mumere magabo, murwanye mwivuye inyuma izo ngeso zigayitse. Mufashanye mwese, mu gushigikirana nk'inzego: abatware, abacungera uruja n'uruza ku

mbibe, igisirikare n'igipolisi, abajejwe igendereza n'abenegihugu, ntihagire umuntu asubira kwinjiza canke gusohora ikidandazwa adaciye mu muhora waciwe n'Ikigo OBR.

Abo na bo bamenyereye guca mu binywabi, bamenye neza ko: "Nzikwiba yahiguye na nzikurarira" kandi ko: "uwubundabunda abonwa n'uwuhagaze".

30. Nagira nsubire kwibutsa mwese abenegihugu:

Twaratanguye urugamba rwo kugwanya urudandaza rwo mu kinywabi;

Ndamenyesheje ko umugwi twateguwe kugira urwo rugamba, ugasubira gufatira mu ntara iyo ari yo yose urwo rudandazwa abajejwe intara mu ntwaro no mu mutekano batabibonye, tuzofata ko na bo bakorana n'abakora urwo rudandazwa.

Ni co gituma ndabagabishije, uretse ko tuzofata ko batanze imihoho mu butumwa abenegihugu babahaye, bazofatwa n'amategeko bagirizwa ko bifatanije n'abakora urwo rudandazwa hanyuma bahanwe hakurikije amategeko.

Ivyo bibwiwe cane cane mwebwe ba buramatari, komiseri mu gipolisi, abajejwe iperereza n'abajejwe ingabo ku rubibe kuko ni mwebwe muraba ko ata gakacira mu ntara.

31. Turahamagariye kandi indongozi n'abakozi b'ikigo OBR ngo barushirizeho gusuzuma abadandaza bakora batisunze amategeko, haba abinjira, canke abari mu gihugu hagati. Kuko turazi ko n'igihe ibidandazwa biba vyashitse mu gihugu neza, habaho uguhisha amakori n'amatagisi, biciye mu guhisha inyungu baronse.

Twese hamwe, dukoze, abandi tukaba inderetsi, bizotuma ingendo mbi yo kunyonyeza ubutunzi bw'igihugu biciye mu rudandazwa rwo mu kinywabi zitandukanye ituzwa burundu mu gihugu cacu.

32. Reta kandi, ibicishije mu kigo OBR ntaco idakora kugira ngo yorohereze abadandaza.

    Akaba ari na co gituma dusubiye kwemeza ko ibice 2% vy'amakori aba yatojwe ashirwa mu nyubako z'ikigo OBR zo mu ntara hagati kugira dupfunyirize urugendo abitura ico ikigo.

33. Turateye akamo abo bose bagikorera mu rufuri ngo baje ahabona bakwirikize amategeko, kugira mu mwaka uza na bo hazobemwo abaronswa udushimwe, bicaye mu kibanza c'iteka nk'iki!

Banyakwubahwa mwese,

Batumire bahire,

34. Imbere yo kurangiza, ubwambere twashaka kumenyesha abarundi bose ko Reta ata kindi kiyiraje ishinga atari ukubona ikigega c'igihugu gifise uburyo butuma ikora imigambi nshingiro y'iterambere ry'ubuzima bw'abenegihugu.

Nico gituma turiko turahinyanyura inzira zituma amahera yahora aca ku ruhande yinjira mu kigega, ayahora asesekera ku ruhande na yo azitiririrwe.

Intumbero dufise kandi ngenderwako ni:

“YINJIRE YOSE KANDI AKORE YOSE KU NEZA Y’ABENEGIHUGU”.

Iryo ni ryo hangiro twihaye, tukaba dusavye ko abarundi bose abagwizatunga n’abandi ko mwodufata mu mugongo muri iyo nzira.

Turipfuza ko mu mwaka uza, mu kiringo nk'iki, tuzoba turiko turasuzumira hamwe ko yinjiye yose, natwe tubereka ko ayinjiye yakoze ku neza ya bose. Ni mwabishima natwe tuzokwishimiriza; ni uko rikaba ijambo.

35. Ubwa kabiri, twashaka gutanga impanuro ku batozakori no ku batangakori.

Batozakori: Mumenye neza ko mufise ubutumwa butoroshe, muri mu muhora w'amageragezwa menshi.

Igihe umutozakori ahababukiye amaronko, nta gisivya aba ahejeje guta ubwenge, mukaba muzi ko *"inzimano y'isiha ni ibisahurano"*, mwebwe rero ntimuri isiha ngo murye ibisahurano.

Tubasavye kwima amatwi ababegera babaryosharyosha ngo babafumbatishe ibiturire kuko muzoba muhemutse.

Tubasavye kandi gutoza amakori mutaravye nkunzi, ata mwana n'ikinono kandi ku rugero rumwe mwisunze amategeko.

Kirazira kuja ku mabwire ngo bivuye hejuru canke ngo ibi ni ivya naka canke kanaka.

Ku bw'ivyo, tubasavye kumanika no kumenyesha abatangakori ibiciro vy'amakori vy'ibidandazwa bazanye.

Nkuko nabimenyesheje, umukozi wa Reta azofatwa mu bunyonyezi, gusesagura itunga rusangi n'igiturire, uretse ko azohanwa n'amategeko nta kazi azosubira kuronka mu Burundi. Ndabasavye rero ntimube mu bambere bazotangwako akarorero.

Impanuro ku batangakori

Mufise uruhara rukomeye mw'iterambere ry'igihugu kandi mumenye ko igihugu gitezwa imbere na beneco. Tubasavye rero gukora mwisunze amategeko, mwirinde kwikinga agahumbezi mu kwinjiza ibidandazwa mu nzira zitemewe n'amategeko no kutariha amakori.

Mwomenya ko:« inyuma y'inyungu haza akanyarire » ; mukaramuka murenze ku mpanuro tubatekereye, mumenye ko ibidandazwa bizofatwa bikagurishwa icamunara, mugatako mugatanga ihadabu,

mbere bibaye ngombwa mukabura n'uburenganzira bwo gusubira kudandaza hano mu gihugu.

Abaguzi bategerezwa gusaba urwandiko nyemezabuguzi kuko hariho abadandaza batora amahera y'abaguzi ariko ntibatange icemezabuguzi, ivyo akaba ari ubusuma mu bundi.

Turasubiye kandi gutera akamo Abarundi bose canecane abanyamitahe, ngo birinde kuba ibiraro vy'abanyamitahe

b'abanyamahanga. Turazi benshi bashinga amashirahamwe baraririye amasoko bazohabwa na Reta.

Twipfuza abanyamitahe basahiriza ubutunzi bw'igihugu mu gushorera hanze, kwubaka amahinguriro, amabanki n'amaduka hanze, bahereye mu karere duhuriramwo n'Ibihugu bigize umuryango wa Afirika y'Ubuseruko.

Birababaje kubona abiyita abagwizatunga canke abanyamitahe, bama kwaka amafaranga y'amanyaburaya mu mabanki yo mu Burundi kugira bayatware hanze. None ubwo ni ubugwizatunga canke ni

utuvyatunga/ubukeshatunga? Uwo wese ataco azana mu kigega c'Iguhugu canke adatanga akazi, si umugwizatunga ni umu komisiyoneri!

Banyakwubahwa mwese,

Batumire bahire,

36. Imbere yo gusozera, twashaka gusubira gushimangira ku co twahereyeko : umutangakori ni umwenegihugu wese, ni wewe, ni jewe.

Uwubona adatanga ikori si uko atategerezwa kuritanga, ni uko Reta ibona ko ata mikoro afise.

N'abahembwa na Reta ni bareke kwidoga ngo batanze ikori ku mpembo yabo kuko na bo barakenera ivyo Reta ibakorera.

Uwo mwitwarariko ntiwoba uw'abagwizatunga gusa ahubwo ni ube rusangi kuko n'ikigega ni rusangi. Ataco washizeyo, ntihagire ico uzobazayo.

None rero twese tuje ku kivi tuve muri ba ntahonikora ataco basahiriza mu kigega ca Reta, tube koko abatangakori.

Umwe wese ave ngaha azi ko mu mwaka uza azoba aharurwa mu batangakori, ivyo bibwiwe wewe, bibwiwe jewe.

Natwe nk'indongozi z'igihugu, zijejwe kubungabunga itunga rusangi, ico tubemereye ni gutsimbataza icizere mu kubereka ko intererano yanyu iciye ku makori ari iyiwanyu koko mu guteza imbere igihugu.

37. Turangije tubakengurukira twongera dukeza abo bose bitavye iri hayanishwa gurisha twasozereye.

Nimukomere mu bikorwa vyanyu. Na yo abaje muri bino birori mugende musumye kugira aho mushikira ku muhana mwerekane ivyakorewe mu Burundi.

38. Turabipfurije mwese, kuroranirwa no guhimbaza mu kanyamuneza ntangere uwu musi mukuru wahariwe umutangakori.IMANA

IBAHEZAGIRE

MURAKOZE!